REPUBLIQUE DU BURUNDI

CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

SECRETARIAT PERMANENT

ITANGAZO RY'INAMANA NKURU Y'IGIHUGU IJEJWE UMUTEKANO

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yarakoranye mu nama yayo isanzwe kw'igenekerezo ya 08 Ruhuhuma 2019 irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu akongera akaba Umukuru wiyo Nama.

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano imaze guca hirya no hino ingene umutekano wifashe mu gihugu cose, ishikirije ibi bikurikira :

1. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irashima ingene umutekano wagumye wiyongera mu gihugu cose. Yaciye iboneraho akaryo ko gushimira abarundi bose, inzego zijejwe Umutekano no kwivuna abansi, abajejwe ubutungane, abajejwe intwaro, hamwe namakomite y'umutekano ahurikiyemwo bose, basenyeye kumugozi umwe mu kubungabunga amahoro n'umutekano haba hagati mu gihugu canke ku mbibe zaco.
   Iyo nama irashimira kandi abenegihugu bakora batiziganya, cane cane mu gutanga inkuru zijanye n'ugutsimbataza umutekano ; ikaba yaciye isaba inzego zose zigenewe kuronka izo nkuru ko zitozifata minenerwe canke ngo zizikoreshe ukutariko.

2. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irashimishwa n'ingene agateka ka zina muntu kifashe muri iyi misi mu gihugu cacu, ikaba yaciye isaba ubushikiranganji bujejwe ico gisata kurushirizaho kugiteza imbere mu gihugu cose no kubitsina vyose. Ariko rero, Inama Nkuru y'igihugu ijejwe umutekano iragabisha abantu bose bagenda barakwiragiza ibinyoma bityoza agateka ka zina muntu bakoresheje urubuga ngurukanabumenyi canke mugukwiragiza nk'amasanamu y'abitavye imana kumvo iyi canke iriya mbere hariho nabusanga amasanamu yabo bayambitse uko bavutse, ivyo ntivyubahiriza agateka k'azina muntu. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe umutekano yasavye ko iyo ngendo abo bantu boyihagarika.

3. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yashimishijwe n'uko ingingo zose yari yasavye ko zoja mungiro munama yayo iheruka, nyinshi zashizwe mungiro ku rugero rushimishije. Ariko, irasaba ko ingingo zisigaye zitarashirwa mu ngiro, inzego zibijejwe zozihagurukira zikazishira mungiro vuba cane.

   Kuvyerekeye ingingo yari yafashwe muntumbero yuko amashirahamwe mvamakungu yokora yisunze amategeko y'igihugu, Inama Nkuru y'Igihugu yashimiye amashirahamwe 84 yaciye yitaba ako kamo mugushira mungiro ibisabwa n'amategeko, ikaba isavye ko makeyi asigaye nayo ko yobikora mu maguru masha.

4. Kubijanye n'itunganywa rishasha ry'ama sosiyete hamwe n'amakoperative yimba ubutare, canke ibikoresho kama vyo kubaka, Inama Nkuru y'Igihugu y'Umutekano yashimye igikorwa ubushikiranganji bubijejwe bumaze gukora, cane cane mu gutanga impusa ku makoperative yakurikije

amategeko. Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano ikaba yaboneyeho akaryo ko kwibutsa amakoperative atarakwiza ibisabwa n'amategeko ko yobinyarutsa kugira aronswe imusha.

5. Kuvyerekeye amasezerano yo kwimba ubutare ari hagati ya Reta n'Amasosiyete y'abigenga, Inama Nkuru y'Igihugu y'Umutekano yasavye ko Ubushikiranganji bubijejwe, bwokwongera kwihweza neza ayo masezerano munzira yubahiriza inyungu zishimisha impande zose.
   Vyongeye, iyo nama, yasavye Ubushikiranganji bujejwe ubutare n'agataka ko bwohimiriza amakoperative bukanashiraho ingamba zirashe zingene ababishaka bokwinjira mu ma sosiyete akoresha ubuhinga bugezweho no kubahimiriza no gukorera murunani « Semi-industriel »

6. Muntumbero yo gusahiriza ikigega c'igihugu mubijanye n'amafranga y'agaciro biciye muvyimbuwe mu gihugu,Inama Nkuru y'Igihugu y'Umutekano yasavye ko amakoperative yose yimba ubutare bw'inzahabu ko ategerezwa gushorera umwimbu baronse mw'i Banki Nkuru y'Igihugu (BRB), canke mu ma kontwari adandaza inzahabu asanzwe akorana kandi afitaniye amasezerano niyo Banki Nkuru y'Igihugu.

7. Ku kibazo kijanye n'ikibanza cagenewe kwegeranirizwamwo no gutunganya amazi y'umwanda co ku BUTERERE, Inama Nkuru yashimye aho ibikorwa vyo gusubiramwo iyo station bigeze ariko igahimiriza ababijejwe kubinyarutsa.
   Iyo Nama yaboneyeho akaryo ko gusaba Ubushikiranganji bubijejwe bwose, ko imbere yo gufata ingingo zokwimura abanyagihugu bubatse muri ico kibanza, ko bobanza gutandukanya abubatse amazu yabo bakurikije amategeko,

n’abubatse bidaciye mu mategeko. Hanyuma ingingo zifatwe hisunzwe dosiye y’umwumwe.

Kuvyerekeye abatanze ivyo bibanza bari canke bahora mu nzego za Reta kandi bari bazi ko ico kibanza kitagenewe kwubakamo amazu yo kubamo, Inama Nkuru Ijejwe Umutekano yasavye ko abo bantu bahagarikwa bagashikirizwa Ubutungane.

8. Inama Nkuru y’ Igihugu ijejwe Umutekano yashimye kandi amashirahamwe 48 agura agahawa yumvise akamo yari yatewe, akaba amaze kuriha abarimyi b’ikawa. Isavye amashirahamwe asigaye ko nayo nyene yobigira vuba kugira abarimyi b’ikawa basigaye baronswe bidatevye udufaranga twabo, na cane cane ko umukozi agirwa n’agahembo.

9. Muntumbero yo gukingira ibidukikije no kubiteza imbere, Inama Nkuru y’ Igihugu y’Umutekano yashinze kandi iremeza ko umunsi wa kane mu ndwi uhariwe ibidukikije mu rwego rw’igihugu cose.

   Iyo Nama yasavye Ubushikiranganji bwerwa niyo ngingo, ko bwotegura neza inyigisho zo gusobanurira abenegihugu iyo ngingo n’akamaro ko guca imikobeko n’ugutera ibiti aho hose bikenewe.

10. Kubijanye n’ifumbire y’ikizungu, Inama Nkuru y’ Igihugu yasavye Ubushikiranganji bubijejwe mbere n’izindi nzego gukurikiranira hafi ihinguriro rikora intabire y ‘ikizungu ryatanguye gukorera mu gihugu cacu, muntumbero yuko abanegihugu boguma baronka ifumbire ikwiye kandi ikwije ivyangombwa hatigeze haba ikena ry’iyo fumbire.

    Inama Nkuru y’ Igihugu y’Umutekano yongeye irasaba ubushikiranganji bw’uburimyi n’ubworozi, ko bwokora

ibishoboka vyose kandi vuba mugushiraho Ikigega c'Igihugu co gushinguramwo Ibifungurwa (STONAS), munzira yo kurwanya inzara n'ukuringaniza ibiciro vy'ibifungurwa ku masoko yo hagati mu gihugu.

11. Kubijanye n'ikena ry'igitoro rimaze imisi ryibonekeza, Inama Nkuru y' Igihugu y'Umutekano iramenyesheje ko ubushikiranganji bubijejwe bwafashe ingingo zibereye muntumbero yo gutora inyishu y' ico kibazo. Iyo Nama yaciye isaba rero ko inzego zose zibijejwe zokurikiranira hafi urwo rudandazwa rw'igitoro kugirango ntihagire abikika mukiza mu gukora fraude kugira baduze ibiciro , canke baje kukigurisha inyuma y'imbibe z'igihugu.

12. Muntumbero yo kugabanya impanuka zo mu mabarabara zihitana abantu benshi, Inama Nkuru y' Igihugu y'Umutekano yasavye Ubushikiranganji bw'Umutekano, hamwe n'izindi nzego zibijejwe gutegura neza ingamba zofasha kugirango izompanuka zo mu mabarabara zigabanuke bimwe biboneka ; na canecane mu gukurikiza amategeko agenga uruja n uruza mu mabarabara, no gukoresha imiduga ibereye gutwara abantu.

Mukurangiza, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano ihamagariye abarundi bose gutura amaboko, umutima n'ubuzima igihugu cacu mu nzira yo kugikingira no kubandanya batsimbataza amahoro n'umutekano vyo soko ry'iterambere rirama.

Nihahangame amahoro n'umutekano mu gihugu cacu,
Imana Ikingire Uburundi n'Abarundi.

MURAKOZE.